**UBUTUMWA BWA NYENICUBAHIRO UMUKURU W'IGIHUGU C'UBURUNDI INYUMA Y'URUPFU RW'UMUKURU W'IGIHUGU CA TANZANIYA, NYENICUBAHIRO JOHN POMBE JOSEPH MAGUFULI**

1. Reta y'Uburundi yakiranye umubabaro mwinshi, urupfu rwa Nyenicubahiro John Pombe Joseph Magufuli, Umukuru w'Igihugu ca Tanzaniya ; Igihugu kibanyi, kivukanyi kandi kigenzi.
   Imana imwakire mu bwami bwayo.

2. Igihugu c'Uburundi kiboneyeho kano kanya kugira ngo cifatanye mu mubabaro mwinshi na Reta hamwe n'abenegihugu ba Tanzaniya muri rusangi; na cane cane umuryango w'uwo muhisi, uri mu mubabaro ntangere muri kino gihe.

3. Igihugu c'Uburundi kirashima cane ibikorwa vy'iteka iyo ntwari y'Igihugu ca Tanzaniya, Nyakwigendera Nyenicubahiro John Pombe Joseph Magufuli yakoreye Igihugu ciwe, akarere, Afirika n'isi yose biciye mu burongozi burimwo iyerekwa.

4. Afirika yose ihejeje kubura umwe mu ntwari zaharanira ineza ya Afrika. Kugira ngo duhe icubahiro iteka n'iragi vyiwe, harashinzwe ikigandaro c'imisi indwi mu gihugu cose c'Uburundi, kuva kuri uwu wa kane igenekerezo rya 18 gushika igenekerezo rya 25 Ntwarante 2021.
   Kuva kuri uwu wa gatanu igenekerezo rya 19 Ntwarante umwaka wa 2021 gushika umusi wo gushingura uwo muhisi, amabendera y'Igihugu azoduzwa gushika hagati mu gihugu cose c'Uburundi no mu buserukizi bwaco mu mahanga.